
Danemarke

EUROPEAN UNION AGENCY FOR ASYLUM

# IVYO UKWIYE KUMENYA KU BIJANYE N'ITEGEKO RIGENGA GUSABA UBUHUNGIRO NO GUCUNGERA ABIMUKIRA.

Ubwoko bwa A

## ABASABA UBUHUNGIRO MPUZAMAKUNGU




KIRUNDI

# IBIRIMWO

Kubera iki uriko uraronka aka gatabu? 3

Ni iki ubuhungiro mpuzamakungu kandi ni bande bashobora kuburonka? 3

Ni irihe tegeko rigenga Gusaba ubuhungiro no Gucungera Abimukira? 4

Uburenganzira bwawe mu gihe urindiriye ingingo yerekana igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe 5

Ni hehe ugomba kuba mu gihe urindiriye ingingo yerekana igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe? 7

Ni ibiki vyitezwe kuri wewe muri ico gikorwa? 7

Ni izihe mpapuro ukwiye kwerekana? 8

Kubera iki utegerezwa gutanga amakanda y'intoke zawe n'amafoto yawe? 9

Ni izihe ngaruka zishobora kuva ku kudashitsa amabwirizwa yawe? 10

Gupfungwa bivuga iki? 11

Ni gute abategetsi bafata ingingo y'igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe. 12

Urashobora kubazwa ibibazo kugira bamenye igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizokwiga ugusaba ubuhungiro kwawe 15

Mbega ikiganiro co kubazwa ibibazo cama gikorwa? 17

Ni ibimenyamenya ibihe ushobora gutanga kugira ngo werekane ko ufise umuryango mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)? 18

Ivyo bikorwa bizotwara umwanya ungana gute? 19

Bite ho nimba waramaze gusaba ubuhungiro mpuzamakungu mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)? 20

Bigenda gute iyo ingingo imaze gufatwa? 21

Ivyo ukwiye kumenya ku bijanye n'inzira yo kwunguruza urubanza (igihe haba habaye gushira mu ngiro guhagarika kwunguruza urubanza no kwunguruza urubanza mu nyuma) 22

Ni ayahe makuru yerekeye umuntu ku giti ciwe azokwegeranywa? 24

Ni ubuhe burenganzira bwawe ku bijanye n'amakuru yawe bwite? 24

## KUBERA IKI URIKO URARONKA AKA GATABU?

Warasavye ubuhungiro mpuzamakungu (buzwi kandi nko gusaba ubuhungiro) mu gihugu kimwe mu bihugu 31 bigize Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+). Ivyo bisigura ko ubu uri uwusaba ubuhungiro mpuzamakungu. Birashoboka ko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe. Ubu urindiriye iyo ngingo.

Birahambaye ko utahura ingene ibihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) bikorana, kuko ivyo bishobora kugira ingaruka ku gihugu kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

Uzosanga amakuru yose akenewe muri aka gatabu.

## NI IKI UBUHUNGIRO MPUZAMAKUNGU KANDI NI BANDE BASHOBORA KUBURONKA?



Woshobora gukenera ubuhungiro mpuzamakungu mu gihe udashobora gusubira mu gihugu cawe kubera ugutinya gutotezwa canke ugahura n'icago co kugiririrwa nabi cane. Ivyo bisigura, nk'akarorero, ko ubuzima bwawe canke umwidegemvyo wawe vyoba biri mu kaga, kandi abategetsi b'igihugu cawe ntibazokurinda akaga urimwo.


Uzoronka ayandi makuru ajanye n'ubuhungiro mpuzamakungu mu gatabu gatandukanye.

**Uri ubu mu Danemarke, kikaba ari igihugu co mu Muryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+). Ibihugu vyo mu Muryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ni:**

Ibihugu 27 bigize Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU): Austria, Belgium, Bulgaria, Croatia, Cyprus, Czechia, Denmark, Estonia, Finland, France, Germany, Greece, Hungary, Italy, Latvia, Lithuania, Luxembourg, Malta, Netherlands, Poland, Portugal, Republic of Ireland, Romania, Slovakia, Slovenia, Spain, Sweden na

Ibindi bihugu 4: Iceland, Liechtenstein, Norway, Switzerland.

## NI IRIHE TEGEKO RIGENGA GUSABA UBUHUNGIRO CO GUCUNGERA ABIMUKIRA?




Ibihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) vyemeranije kw'itegeko rusangi ryitwa Itegeko rigenga Gusaba Ubuhungiro no Gucungera Abimukira (AMMR). Iryo tegeko rirafasha gufata ingingo y'igihugu kijejwe gusuzuma ikibazo c'uwusavye ubuhungiro mpuzamakungu. Iryo tegeko riratuma kandi ibihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) bifashanya mu gihe igihugu kimwe kironse abasaba ubuhungiro benshi cane mu gihe kimwe.

Urashobora kwizigira ko kimwe mu bihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizoca gisuzuma ukwo gusaba ubuhungiro kwawe, ariko ntushobora guhitamwo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizoba kijejwe ico kibazo. Igihugu kizokwihweza ugusaba ubuhungiro kwawe kizofatirwa ingingo hisunzwe amategeko agengwa n'Itegeko rigenga Gusaba Ubuhungiro no Gucungera Abimukira (AMMR).

Nimba hari ikintu ico ari co cose udatahura muri aka gatabu, woshobora kubaza umukozi ajejwe abinjira n'abasohoka mu gihugu.



Muri iki gihe, ibihugu vyo mu Muryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) biriko bifata ingingo gusa y'uwo muri vyo ajejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

Mu gihe hafashwe ingingo y'uko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, uzoca wimurirwa muri ico gihugu.

# UBURENGANZIRA BWAWE MU GIHE URINDIRIYE INGINGO YEREKANA IGIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+) KIZOSUZUMA UGUSABA UBUHUNGIRO KWAWE




Nimba uriko urasaba ubuhungiro mpuzamakungu ari bwo bwa mbere, urafise uburenganzira bwo kuronka **impanuro mu vy'amategeko** ku buntu. Urashobora kubisaba abategetsi igihe cose.

Umuhanuzi mu vy'amategeko azoguha amakuru yerekeye uburenganzira bwawe kandi akagufasha mu gihe co kubikora. Mu gihe umaze kuriha kugira ngo ukodeshe umwunganizi mu vy'amategeko, abategetsi boshobora kudatanga impanuro mu vy'amategeko ku buntu. Impanuro mu vy'amategeko zishobora gutangwa mu mugwi, ariko umwunganizi ntazosangiza abandi amakuru yawe y'ibanga.

Urashobora gusaba umuhanuzi mu vy'amategeko mu kuvugana n'abategetsi kuri mugusaba ko inzego zibishinzwe kuguha amakuru y'itumanaho ya DRC Dansk Flygtningehjælp, ari nawo Umuryango wigenga utegamiye k'ubutegetsi, ukora ibikorwa vy'ubutabazi uharanira uburenganzira bw'abasaba ubuhungiro hamwe n'impunzi muri Danemarke.  Mushobora kandi kwegera kubwanyu DRC Dansk Flygtningehjælp kuri telefone 3373 5020 canke kuri e-mail advice@drc.ngo. DRC Dansk Flygtningehjælp ikunze kandi kuboneka kenshi muri Centre ya Sandholm . DRC Dansk Flygtningehjælp itanga ubujanama bw'amategeko k'ubuntu kandi butabogamye kubasaba ubuhungiro mu igihe cyose bari mu nzira y'isaba ubuhungiro. Mushobora kwegera DRC Dansk Flygtningehjælp nimba mufise ibibazo bijanye n'inzira y'ikorwa ry'ubusabe bwanyu n'uburenganzira bwanyu. Mushobora kandi gusoma byinshi ku ibijanye n'ubujanama bwa DRC Dansk Flygtningehjælp k'urubuga rwabo gwa interneti: https://asyl.drc.ngo/.



Urashobora gusaba umusobanuzi mu zindi ndimi w'igitsina-gabo canke w'igitsina-gore hamwe n'umukozi w'ikigo ajejwe ivy'imanza, nimba ivyo vyorushiriza kukworohereza kuvuga ivyerekeye ingorane ufise. Abategetsi bazokwubahiriza ivyipfuzo vyawe aho bishoboka.



Urafise kandi uburenganzira bwo gusaba amakuru agezweho ku bijanye n'uburyo bwo guhitamwo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe. Nimba wipfuza gusaba amakuru agezweho, urashobora kuvugana n'abategetsi kuri kwegera Ubutegetsi bushinzwe abinjira n’abasohoka (Udlændingestyrelsen) k’urubuga gwabo gwa interneti: www.nyidanmark.dk/da/Kontakt-os/.




Urafise uburenganzira bwo guhamagara no kuvugana n'Ishami ry'Ishirahamwe Mpuzamakungu ryitaho Impunzi (UNHCR) mu ntambwe iyo ari yo yose y'uburyo bwo gusaba ubuhungiro.

UNHCR rirakingira inyungu n'uburenganzira bw'abasaba ubuhungiro n'impunzi.

Amakuru y'ingene woja kuri UNHCR hamwe n'amakuru ajanye n'uburyo bwo gusaba ubuhungiro urashobora kuyasanga ku rubuga rwa UNHCR https://help.unhcr.org/.

**Urashobora kuronka ayandi makuru yerekeye imfashanyo na seruvisi uzoronka mu gatabu gatandukanijwe n'aka.**

## NI HEHE UGOMBA KUBA MU GIHE URINDIRIYE INGINGO YEREKANA IGIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+) KIZOSUZUMA UGUSABA UBUHUNGIRO KWAWE?



- Utegerezwa kuguma muri iki gihugu mu gihe nk'iki.
- Urarekuriwe kuja mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gusa mu gihe abategetsi baguhaye uruhusha rwo kujayo.
- Mu gihe abategetsi bafashe ingingo y'uko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) arico kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, abategetsi bazotegura urugendo rwawe ruja muri ico gihugu.

## NI IBIKI VYITEZWE KURI WEWE MURI ICO GIKORWA?

Utegerezwa:

- ✔ Kuguma muri ico gihugu mu gihe ugusaba ubuhungiro kwawe kwanditswe.
- ✔ Nimba warigeze kuronka uruhusha rwo kwinjira canke uronka uruhusha rwo kuba muri ico gihugu muri kahise, nusabe ubuhungiro mu gihugu caguhaye urwo ruhusha igihe washika yo.
- ✔ Kwerekana impapuro zose Ndangamuntu (ID) ufise kugira ngo wemeze umwidondoro wawe. Nimba wari ufise urupapuro Ndangamuntu (ID) ariko ukaba utakirufise, urakwiye kumenyesha abategetsi ko Reta y'igihugu cawe yigeze kuguha urwo rupapuro muri kahise.
- ✔ Kumenyesha abategetsi igihe cose wigeze gufata urugendo ruja mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).
- ✔ Kumenyesha abategetsi nimba wamaze igihe uri mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ata ruhusha ufise.
- ✔ Kumenyesha abategetsi ibijanye n'umuryango wawe wa hafi uri mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).

❗ **BIRAHAMBAYE!** Itegeko rigusaba gutanga amakanda y'intoke no gufatwa ifoto.

## NI IZIHE MPAPURO UKWIYE KWEREKANA?

Nusangize abategetsi impapuro zose ufise zijanye n'ibi bikurikira:




- umwidondoro wawe ((icete c'amavuko, pasiporo, ikarata Karangamuntu (ID))



- abagize umuryango wa hafi mu bihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) (impapuro zemewe n'amategeko, ikimenyamenya c'uko mufitaniye imigenderanire)




- Kuba warigeze kuba mu bihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) (ku bw'uruhusha rwo kuba muri ico gihugu, uruhusha rwo kwinjira muri ico gihugu, canke kugira ngo uronke urupapuro rw'umutsindo mw'ishure canke muri kaminuza).


Nutange ayo makuru mu maguru masha. Muri ubwo buryo, igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe ugusaba ubuhungiro kwawe kirashobora kumenyekana ningoga.

## KUBERA IKI UTEGEREZWA GUTANGA AMAKANDA Y'INTOKE ZAWE N'AMAFOTO YAWE?



Abategetsi muri ico gihugu bazogufata amakanda y'intoke bagufate n'ifoto. Ayo makuru, hamwe n'amakuru yerekana umwidondoro wawe hamwe n'ayandi makuru afitaniye isano n'ayo, azoca arungikirwa mu bubiko rusangi bw'amakuru bw'i Buraya bwitwa Eurodac.

Ubwo bubiko bw'amakuru bukoreshwa n'ibihugu vyose 31 vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) bishobora gukoresha amakuru yawe kugira ngo bigarukane amakuru yawe. Mu gihe wimukiye mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ata ruhusha ufise, hanyuma bakongera kugufata amakanda y'intoke zawe, amakuru yawe yose abitswe mu bubiko bwa Eurodac azoca abonwa n'abategetsi b'ico gihugu.



Ayandi makuru ajanye n'ikigo c'ububiko bw'amakuru ca Eurodac aratangwa mu gatabu gatandukanye.


# NI IZIHE NGARUKA ZISHOBORA KUVA KU KUDASHITSA AMABWIRIZWA YAWE?



Mu gihe utokorana n'abategetsi, ivyo bizogira ingaruka mbi ku gusaba ubuhungiro kwawe.

Mu gihe utatanze amakanda yawe y'intoke, abategetsi boshobora kwiyumvira ko utagishaka kurondera ubuhungiro i Buraya. Bazohagarika gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, ivyo bikazosigura ko utagifise uburenganzira bwo kuguma muri ico gihugu.

Mu gihe ugiye mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ata ruhusha ufise canke usavye ubuhungiro mpuzamakungu mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), birashoboka ko uzoca ugarukanwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.




Nimba uri mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kitari ico usabwa kubamwo, umwidegemvyo wawe woshobora kugabanuka kandi woshobora kuronka imfashanyo nkeya.

# GUFUNGWA BIVUGA IKI?

Gupfungwa bisigura ko uba washizwe mu kibanza kanaka udashobora kuvamwo nk'uko ubishaka. Abategetsi bategerezwa kuba bafise imvo yumvikana yo kugufunga. Bategerezwa kuraba neza ko ata yandi mahitamwo ashoboka murubanza rwawe. Abategetsi bazokwihweza uko ivyawe vyifashe imbere yo gufata ingingo.  Impamvu zo gufungwa zishobora kuba, nk'akarorero:



- Ibintu bihambaye bijanye no gusaba ubuhungiro kwawe (nk'akarorero, kumenya umwidondoro wawe) ntibishobora kwemezwa hatabanje kubaho gufungwa
- ntiwubahirije amabwirizwa yo kuguma mu kibanza runaka, canke hari akaga ko kongera guhunga kandi abayobozi ntibashobora kukugerako
- wakiriye ingingo yo kwimurigwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU +) gishinzwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe kandi hari akaga ko uhunga imbere y'ukwimirwa
- uteje akaga k'umutekano.

Igihe ufunzwe, urashobora kwunguruza urubanza ku ngingo yafashwe kandi urashobora gusaba gufashwa mu vy'amategeko ku buntu no guserukirwa.

**BIRAHAMBAYE!** Mu gige ugiye mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ata ruhusha ufise, bizotuma urushiriza guhura n'ingaruka zo gufungwa muri kazoza.

## NI GUTE ABATEGETSI BAFATA INGINGO Y'IGIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+) KIZOSUZUMA UGUSABA UBUHUNGIRO KWAWE?

Nimba ari ubwa mbere usavye ubuhungiro mpuzamakungu mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), hariho imvo zitari nke zituma igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gishobora kuba ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

### 1) Imigenderanire yo mu muryango



Imvo ya mbere kandi ihambaye ni uko hari uwo mu muryango wawe wa hafi yamaze kuronka ubuhungiro mpuzamakungu canke ubu ariko arasaba ubuhungiro mpuzamakungu mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), kandi ukwiye gusubira kubonana na we imbere y'uko ugusaba kwawe ubuhungiro mpuzamakungu kwigwa.

Abantu bafatwa nk'abagize umuryango wa hafi ni:

- umugabo canke umugore wawe
- uwo mutubakanye mudasangiye igitsina mufitaniye ubucuti buhamye
- umwana wawe (ari munsi y'imyaka 18 y'amavuko kandi atubatse)

**BIRAHAMBAYE!** Utegerezwa kwerekana vuba bishoboka ko wari ufitaniye imigenderanire n'uwo muntu imbere y'uko winjira mu karere k'ibihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+). Ico kiringo gishobora kuba kirimwo n'urugendo rwo kuva mu gihugu canyu c'amavukiro.

Nimba ufise umuntu wo mu muryango aba mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), uburyo bwiza bwo gutanga amakuru ni ukwuzuza urupapuro rw'ifishi rwitwa '**inyandikorugero yo kurondera umuryango**'. Nimba ufise umuntu wo mu muryango aba mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), ukaba utararonka urwo rupapuro rw'ifishi, nuvugane n'umukozi w'ikigo ajejwe ivy'amategeko canke n'umuhanuzi mu vy'amategeko. Barashobora kandi kugufasha kwuzuza urwo rupapuro rw'ifishi.

Urashobora kuronka ayandi makuru arambuye ajanye n'uburyo bwo gusubira kubonana n'abantu bo mu muryango mu gice kivuga ngo '**Ni ibimenyamenya ibihe ushobora gutanga vyerekana ko ufise umuryango mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)?**'

## 2) Uruhusha rwo kwinjira mu gihugu kanaka c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)

Igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gishobora kuba kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe nimba:




- ufise uruhusha rwo kwinjira canke rwo kuba mu gihugu kimwe c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).
- warinjiye mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), aho wari wemerewe kwinjira ata ruhusha kubera ko igihugu cawe c'amavukiro gifitaniye amasezerano n'ico gihugu.

## 3) Impamyabumenyi y'amashure canke impapuro z'umutsindo



- Waronse urupapuro rw'impamyabumenyi canke urupapuro rw'umutsindo inyuma y'aho wize ku giti cawe mu kigo c'inyigisho mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), mu kiringo c'umwaka w'ishure umwe.

## 4) Kwinjira mu buryo butemewe n'amategeko mu gihugu kanaka c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)

Ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gishobora kuba kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe nimba:



- warenze urubibe rwo hanze rw'igihugu kimwe mu bihugu bigize Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) udafise uruhusha



- wararokowe mw'ibahari n'abategetsi b'igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) mu rugendo rwawe rugana i Buraya



- warasavye ubuhungiro mpuzamakungu uri mu kibanza c'ugucamwo c'ikibuga c'indege muri kimwe mu bihugu vy'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).

## 5) Gusubiza hamwe uwitwararika n'uwugize umuryango wegamiye

Urafise uwo wegamiye mu muryango akwitwararika ari mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), canke urafise umuntu wo mu muryango ari mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) akeneye ko umwitwararika.



Uwo muntu wo mu muryango akeneye gufashwa arashobora gukenera gufashwa kubera:

- gutwara inda
- kuba afise umwana aherutse kuvuka
- indwara ikomeye yo mu mutwe canke y'umubiri
- ubumuga bukomeye
- ivyago bikomeye vyo mu mutwe
- ubusaza.

Mu gihe c'uwukeneye uwumufasha, utegerezwa kwerekana ko ushobora kwitwararika uwo muntu akeneye gufashwa canke ko uwo muntu wo mu muryango wawe ashobora kukwitwararika.

## 6) Imvo z'ubuntu

Hashobora kuba hariho imvo z'ubuntu zituma igihugu kanaka c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gishobora gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe. Ivyo bishobora kuba bishingiye ku mvo zikurikira:

- imvo z'umuryango
- imvo z'imibano
- imvo z'imico kama.

Ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kirashobora gusabwa ngo gisuzume ugusaba ubuhungiro kwawe ku mvo zavuzwe aho hejuru, ariko ingingo ya nyuma izofatwa n'urwego rw'abategetsi bo muri ico gihugu.

## URASHOBORA KUBAZWA IBIBAZO KUGIRA BAMENYE IGIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+) KIZOSUZUMA UGUSABA UBUHUNGIRO KWAWE

Nimba ari ubwa mbere usaba ubuhungiro, abategetsi bakwiye kugutegurira ikiganiro co kubazwa ibibazo ku giti cawe.

**BIRAHAMBAYE!** Iki si ikiganiro co kubazwa ibibazo mu gusaba ubuhungiro. Ikiganiro co kubazwa ibibazo gifise intumbero yo kumenya igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) gikwiye gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

**Iki kiganiro co kubazwa ibibazo gifise intumbero nyamukuru zine:**

- kwegeranya amakuru azofasha abategetsi guhitamwo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe ivyo bikorwa
- kukureka ubaze ibibazo ivyo ari vyo vyose ku bijanye n'ingene igikorwa co kumenya igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe ivyo bikorwa kirangurwa
- kukureka ubaze ibibazo ku bijanye n'amakuru ari muri aka gatabu
- kugira ngo bakubaze nimba hari imvo izo ari zo zose zituma udakwiye kwimurirwa mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), canke igituma wokwemererwa kuguma muri ico gihugu.

Ikiganiro co kubazwa ibibazo kizoba kiri mu rurimi utahura neza. Nimba mwifuza yuko uwukoresha ikiganiro n’umusiguzi baba b’igitsina runaka, turagusaba kubimenyesha igihe uzohamagarwa kuza mu kiganiro. Ubutegetsi bushinzwe abinjira n’abasohoka (Udlændingestyrelsen) buzogerageza kuvyubahiriza mu igihe bishoboka.



Nta makuru utanga azosangizwa na Reta canke abategetsi bo mu gihugu cawe c'amavukiro.

Nimba hari ikintu kitumvikana mu gihe c'ikiganiro co kubazwa ibibazo, urashobora kubaza ibibazo. Birahambaye ko wewe n'uwo mukozi w'ikigo mutahura ibintu vyose, rero ibibazo vyama bihawe ikaze.



Amajwi y'ico kiganiro co kubazwa ibibazo azofatwa kandi muzokwerekwa incamake y'ivyavuzwe.

Mu gihe umaze kwakira incamake yanditse y'ikiganiro co kubazwa ibibazo ku giti cawe, nimba wibaza ko hari amakuru atari yo kandi wifuza kuyakosora, ushobora kubisaba.

Mushobora kwegera Ubutegetsi bushinzwe abinjira n'abasohoka (Udlændingestyrelsen) biciye k'urubuga rwabo rwa interneti: www.nyidanmark.dk/KontaktAsyl, canke mugakoresha QR-code iri hepfo.

Nimba bibaye ngombwa, urashobora kubandanya gutanga impapuro z'inyongera inyuma y'ikiganiro co kubazwa ibibazo, cyangwa ugatanga impamvu zituma utagomba kwimurigwa mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).

Nimba ugifise amakuru canke impapuro utarashikiriza, utegerezwa kubishikiriza abategetsi.

Ni ingombwa ku rungika amakuru canke inyandiko k' Ubutegetsi bushinzwe abinjira n'abasohoka (Udlændingestyresen): inyandiko z'umwimerere zirungikwa kuri: Udlændingestyrelsen, Farimagsvej 51A, 4700 Næstved.

Izindi nyandiko n'amakuru bishobora kurungikwa m'uburyo bw'ikoranabuhanga biciye k'urubuga gwabo gwa interneti: www.nyidanmark.dk/KontaktAsyl, canke hifashishijwe QR-kode ikurikira:

## MBEGA IKIGANIRO CO KUBAZWA IBIBAZO CAMA GIKORWA?

Nimba ari ubwa mbere usaba ubuhungiro, abategetsi boshobora guhitamwo kudakoresha ikiganiro co kubazwa ibibazo ku giti cawe mu gihe:

- igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe gisanzwe kizwi
- basanzwe bafite amakuru ahagije yo gufata ingingo ku gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.
- warigeze mbere y'aho kubura umwanya wo kwitabira ikiganiro co kubazwa ibibazo utabanje kubwira abategetsi igituma utashobora kuhaba
- warananiwe kuguma uhanahana amakuru n'abategetsi.

Mu gihe ata kiganiro co kubazwa ibibazo gitunganijwe, urashobora kugisaba. Mu gihe abakozi b'ikigo bibaza ko bafise amakuru ahagije yo gukemura ikibazo cawe, barashobora kwanka ubwo busabe, ariko bategerezwa gutanga imvo zituma badakora ikiganiro co kubazwa ibibazo.

Nimba mwifuza gusaba ikiganiro, mushobora kwegera Ubutegetsi bushinzwe abinjira n'abasohoka (Udlændingestyrelsen) k'urubuga gwabo gwa interneti: www.nyidanmark.dk/KontaktAsyl, canke mugakoresha QR-kode iri hepfo. Mwibuke kwandika impavu y'ico kiganiro musaba.

## NI IBIMENYAMENYA IBIHE USHOBORA GUTANGA KUGIRA NGO WEREKANE KO UFISE UMURYANGO MU KINDI GIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+)?

Uburyo bwiza bwo gutanga amakuru y'umuntu wo mu muryango wawe ni ukwuzuza urupapuro rw'ifishi '**inyandikorugero yo kurondera umuryango**'.

Uretse ivyo, nutange ibipapuro vyemewe na Reta bishobora kwerekana ko mufitaniye ubucuti. Urashobora gutanga n'ubundi bwoko bw'ibimenyamenya, nk'akarorero ibimenyamenya vyerekana ko wagumye uhanahana amakuru n'uwo muntu wo mu muryango wawe, nk'amafoto, ubutumwa bwa imeyili (email) canke ubutumwa bugufi.



Nimba ata kimenyamenya na kimwe ufise c'uko mwari mufitaniye ubucuti, abategetsi boshobora kugusaba ngo bagupime DNA kugira berekane ko mufitaniye ubucuti.

Urashobora gusubira kwiyunga n'uwo muntu wo mu muryango wawe mu gihe mwempi mwanditse ko mushaka gusubira kwiyunga. Urashobora kugerageza gutanga iki gipapuro mu congereza nimba ubishoboye.

Nutangure gutegura aya makuru mu maguru masha.



Nimba ufise ibindi bibazo canke ukaba ukeneye impanuro ku bijanye n'ingene wosubira kwiyunga n'umuryango, urashobora gusaba ubufasha ku muhanuzi mu vy'amategeko.

Nimba ufise umuntu wo mu muryango mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), ariko ukaba waratakaje uko ushobora kumuvugisha, hariho amashirahamwe ashobora kugufasha kumurondera.

Urashobora kuvugana n'ayo mashirahamwe ukoresheje amakuru ari aha hepfo:
Serivisi ya Croix-Rouge ishinzwe gushakisha abantu baburiwe irengero:

tracing@rodekors.dk canke telefone 35 25 92 00.

# IVYO BIKORWA BIZOTWARA UMWANYA UNGANA GUTE?



Guhanahana amakuru hagati y'ivyo bihugu akenshi bimara hagati y'**ukwezi 1 n'igice n'amezi 3**, ariko **birashobora gufata umwanya muremure** bivanye n'ikibazo cawe.



Mu gihe ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) cemeje ko kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, uzoca wimurwa **mu kiringo c'amezi 6** uhereye kw'igenekerezo bemereyeko ugusabwa ku kwimura wewe.




Nimba ubusabe bwari bushingiye ku kuba ufise umuntu wo mu muryango wawe mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), kwimurwa kwawe **bizohabwa umwanya w’imbere**.



Nimba **ubu upfunzwe canke uzoba upfunzwe muri kazoza**, ikibazo cawe **kizokwigwa vyihutirwa**. Ukwo kwimurwa kwawe gukwiye gutunganywa mu **ndwi 5**. Mu gihe ivyo kwimurwa bitazoba vyakozwe mu kiringo c'indwi 5, uzorekurwa uve aho upfungiwe. Ariko rero, kwimurwa kwawe kuzobandanya gutunganywa **mu mezi 6** uhereye kw'igenekerezo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe cemereye ukwo gusaba kwimurwa.

Mu gihe uri mw'ibohero kubera icaha wakoze, ikiringo co kwimurwa gishobora **kwongerezwa gushika ku mwaka 1**.




**BIRAHAMBAYE!** Mu gihe wahunze, ukinyegeza canke udakorana n'abategetsi mu bijanye n'ugutunganya ukwo kwimurwa, **ikiringo co kwimurwa gishobora kwongerezwa gushika ku myaka 3**.

# BITE HO NIMBA WARAMAZE GUSABA UBUHUNGIRO MPUZAMAKUNGU MU KINDI GIHUGU C'UMURYANGO W'UBUMWE BWA BURAYA (EU+)?

Urekuriwe gusaba gusa ubuhungiro mpuzamakungu mu gihugu kimwe c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+). Mu gihe wari umaze gusaba ubuhungiro mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), uzoca ugarukanwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

Mu gihe hariho amakuru yerekana y'uko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, urwandiko rumenyesha ruzoca rurungikwa muri ico gihugu. Nimba igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) cemeje ko kizosuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, uzohabwa **ingingo yo kwimurwa** ivuga igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) uzo kwimurirwamwo.

Mu gihe atari ubwa mbere usaba ubuhungiro mpuzamakungu, canke hakaba hamaze gufatwa ingingo y'uko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, abategetsi boshobora kudakoresha ikiganiro co kubazwa ibibazo ku giti cawe.

Ariko rero, uzoronka akaryo ko gusigura igituma udakwiye kwimurirwa muri ico gihugu, canke igituma wokwemererwa kuguma muri ico gihugu.

Urashobora kuronka amakuru y'ingene wotanga ayo makuru aha hepfo: Gushikira Ubutegetsi bushinzwe abinjira n'abasohoka (Udlændingestyrelsen) biciye k'urubuga gwabo gwa interneti: www.nyidanmark.dk/KontaktAsyl, canke mukoresheje QR-kode iri hepfo:

## BIGENDA GUTE IYO INGINGO IMAZE GUFATWA?

Nimba wakiriye ingingo yo kwimurirwa mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), bumwe mu burenganzira bwawe buzohagarikwa, nk'akarorero:

- ntuzoshobora **kuronka seruvisi n'ubwoko bwinshi bw'imfashanyo**
- ntuzoba **wemerewe gukora** canke **gukurikirana ivyigwa.**





Ukwo kwimurirwa mu kindi gihugu gukwiye kuba mu mezi 6 uhereye kw'igenekerezo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) cemeje canke cemeye gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

Nimba upfunzwe, ikibazo cawe kizokwigwa vyigutirwa. Ukwo kwimurwa kwawe gukwiye gutunganywa mu ndwi 5. Mu gihe ivyo kwimurwa bitazoba vyakozwe mu kiringo c'indwi 5, uzorekurwa uve aho upfungiwe.

Kwimurwa kwawe kuzobandanya gutunganywa mu mezi 6 uhereye kw'igenekerezo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) cemeje canke cemeye gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

Mu gihe uri mw'ibohero kubera icaha wakoze, ikiringo co kwimurwa gishobora kwongerezwa gushika ku mwaka 1.

**BIRAHAMBAYE!** Mu gihe wahunze canke udakorana n'abategetsi, **ikiringo co kwimurwa gishobora kwongerezwa gushika ku myaka 3**.

# BIGENDA GUTE MU GIHE UTEMERANYA N'INGINGO YO KWIMURWA?



Mu gihe hafashwe ingingo y'uko ikindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ari co kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe, uzoronka **ingingo y'ukwimurwa**. Iyo ngingo izokumenyesha igihugu uzokwimurirwamwo.

Nimba utemeranya n'ingingo yo kwimurwa, urashobora gutanga imvo zawe kuri sentare. Ivyo vyitwa gushikiriza ukwunguruza urubanza. Igihe wunguruje kubw'ingingo yafashwe, sentare canke urwego rw'ubutungane ruzofata ingingo ya nyuma.

Hari imvo zitatu gusa zo kwunguruza ku ngingo yo kwimurwa:

- uvuga ko vyobangamira agateka kawe ka zina muntu kwimurirwa muri ico gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+)
- hari amakuru mashasha atariho igihe hafatwa ingingo yo kwimurwa yashobora kugira ingaruka kuri iyo ngingo
- ufise umuryango mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ukwiye kwiyunga nawo ahubwo.




Mu gihe udashoboye kuriha umwunganizi mu vy'amategeko wawe bwite, umwunganizi mu vy'amategeko azoshobora gutangwa kugira ngo agufasha ku buntu mu bijanye n'ukwunguruza urubanza.

Uzofashwa n'umusobanuzi mu zindi ndimi avuga ururimi ushobora gutahura muri ivyo bikorwa vyose.

## IVYO UKWIYE KUMENYA KU BIJANYE NO KWUNGURUZA URUBANZA IGIHE GUSHIRA MU NGIRO GUHAGARIKA KWUNGURUZA URUBANZA NO KWUNGURUZA URUBANZA MU NYUMA VYASHIZWE HAMWE.

Umwanya ntarengwa, aho n'uburyo bwo gushikiriza kwunguruza urubanza bizosobanurwa mu ngingo y'ukwimurwa wahawe.

Utegerezwa gutanga imvo imwe canke imvo nyinshi zituma utemeranya n'ingingo yo kwimurirwa mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+).

Utegerezwa kandi gutanga imvo imwe canke imvo nyinshi zituma udakwiye kwimurirwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe mu gihe kwunguruza urubanza rwawe kuriko kurabandanya..

Sentare izobanza ifate ingingo niba ushobora kurindira ivyavuye mu kwunguruza urubanza muri ico gihugu mu gihe kwunguruza urubanza rwawe kuriko kurabandanya mu kiringo c'**ukwezi 1**. Ivyo bizwi ko ari kwunguruza ku gushira mu ngiro guhagarika kwunguruza urubanza.

Mu gihe sentare ifashe ingingo y'uko udashobora kurindira ivyavuye mu kwunguruza urubanza muri ico gihugu, uzoca wimurirwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe mu gihe kwunguruza urubanza rwawe kuriko kurabandanya.

Mu gihe sentare ifashe ingingo y'uko wokwemererwa kuguma muri ico gihugu mu gihe kwunguruza urubanza rwawe kuriko kurabandanya, sentare izogerageza gutanga ingingo ya nyuma y'uko woba ukwiye kwimurirwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe mu kiringo c'ukwezi 1 uhereye kw'igenekerezo ry'ingingo yo gushira mungiro guhagarika kwunguruza urubanza.

Mu gihe kwunguruza urubanza kwawe kutazoba kwemewe, uzoca ujanwa mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe. Ukwo kwimurwa gukwiye kuba mu mezi 6 uhereye kw'igenekerezo sentare yafatiye ko ingingo ya nyuma.

Nimba ubu upfunzwe canke uzoba upfunzwe muri kazoza, ikibazo cawe kizokwigwa vyigutirwa. Ukwo kwimurwa kwawe gukwiye gutunganywa mu ndwi 5. Mu gihe ivyo kwimurwa bitazoba vyakozwe mu kiringo c'indwi 5, uzorekurwa uve aho upfungiwe. Ariko rero, kwimurwa kwawe kuzobandanya gutunganywa mu mezi 6 uhereye kw'igenekerezo igihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe cemereye ukwo gusaba kwimurwa.

**BIRAHAMBAYE!** Utegerezwa gukorana n'abategetsi kandi ugafata urugendo ukaja mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) kijejwe gusuzuma ugusaba ubuhungiro kwawe.

## NI AYAHE MAKURU YEREKEYE UMUNTU KU GITI CIWE AZOKWEGERANYWA?



Abategetsi bo mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) aho uba bazokwegeranya amakuru amwamwe, harimwo aya akurikira:

- Amakuru yawe bwite n'ay'abo mu muryango bafatanije urugendo nawe (izina, ubwenegihugu, igenekerezo n'ikibanza c'aho wavukiye). Nimba mbere y'aho wahora ukoresha amazina atandukanye n'ayandi makuru, bazokubaza kuri ivyo.
- Amakuru yerekeye umwidondoro wawe n'impapuro z'inzira.
- Ayandi makuru ayo ari yo yose ashobora kwemeza umwidondoro wawe, nk'akarorero amakanda y'intoke.
- Amakuru yerekeye abo mu muryango abo ari bo bose baba mu kindi gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+), nk'amakuru yerekeye ubuzima bwabo bwite, igihe uheruka kubonana na bo, aho baba be n'ukuntu ivyabo vy'ukuba aho mu mategeko vyifashe.
- Amakuru yerekeye impapuro zose ufise zakwemereye kuba mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) nimba ivyo bikora mu kibazo cawe.
- Amakuru yerekeye impapuro zerekana ko wize mu gihugu c'Umuryango w'Ubumwe bwa Buraya (EU+) ikiringo kirenga umwaka.
- Amakuru yerekana ibihugu waciyemwo kugira ushobore gushika muri ico gihugu.
- Uko ivyawe uhura navyo vyifashe.
- Igenekerezo ryo gusaba imbere y'aho ubuhungiro mpuzamakungu hamwe n'ivyavuye muri ukwo gusaba ubuhungiro.

## NI UBUHE BURENGANZIRA BWAWE KU BIJANYE N'AMAKURU YAWE BWITE?

Urafise uburenganzira bwo kubona amakuru yose watanze ku bategetsi.

Mu gihe wibaza ko hari amakuru yawe bwite adafise ishingiro canke atakozwe mu buryo bwemewe n'amategeko, urashobora gusaba kubona ayo makuru yawe bwite mu kubaza uwujejwe gutunganya amakuru kugira ngo usabe ko ayo makuru adafise ishingiro akosorwa canke ayo makuru atakozwe mu buryo bwemewe n'amategeko ahanagurwe.

Urashobora kuvugana n'uwujejwe gutunganya amakuru muri ico gihugu ukoresheje amakuru ari aho hepfo.

www.nyidanmark.dk/da/Kontakt-os/Kontakt-Udl%C3%A6ndingestyrelsen/Kontakt-DPO

euaa
EUROPEAN UNION
AGENCY FOR ASYLUM

Ako gatabu kagenewe gusa gutanga amakuru. Ntigashiraho ubwako uburenganzira canke amabwirizwa. Urwego rw'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya rujejwe ivy'Ubuhungiro (EUAA) ni rwo rwateguye igice kinini c'iki gitabo, kandi gusubiramwo no guhindura aka gatabu bitangirwa uburenganzira na EUAA kuri Reta zigize Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya (EU). EUAA ntiyemera ibanga iryo ari ryo ryose ku bijanye n'ukuri, ibiri muri aka gatabu, ukutagira amahinyu, ukumera neza canke ukwizigirwa kw'amakuru ari muri aka gatabu, yaba ayatanzwe na Reta zigize Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya (EU) canke ayatanzwe n'uwundi muntu wa gatatu wese afise ibanga. Nta muntu n'umwe, yaba EUAA canke uwundi muntu wese akora mw'izina rya EUAA, ajejwe ikoreshwa ry'amakuru ari muri aka gatabu.

© Ishirahamwe ry'ubumwe bwa Buraya rijejwe ivy'Ubuhungiro, 2025 (European Union Agency for Asylum, 2025)